

www.kidworship.kr


137Page


138Page


139Page

# Ukubambwa

- 17th story -

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Umusi umwe, Yesu ajana n'abigishwa biwe ku musozi Getsemani. |
| Yesu | Sigara ngaha munteramire. Musenge kugeza ngarutse~ |
| Uwuvuga | Ahejeje kuvugana n'abigishwa biwe, Yesu yegera imbere gato, yunamika umutwe hasi arasenga. |
| Yesu | Data, Nimba bishoboka, iki gikombe kindengane. Ariko ntibibe nk'uko ndabigomba ariko uko wewe ubigomba. |
| Uwuvuga | Yesu ariko arasenga, umumalayika avuye mw'ijuru aramubonekera amwongera inkomezi. Yesu arahaguruka asubira iyo abigishwa bari basinziririye. Yesu arababarira. |
| Yesu | Ntimushoboye no kunteramira n'isaha imwe? Nimuterame musenge kugira ngo ntimuje mu mosha mabi. |

..........................................................................................

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Haheze akanya gato Yesu ahejeje gusenga, Yuda, umwe wo muri ba bigishwa cumi na babiri, aramwegera ari kumwe n'abasirikare bitwaje inkota. Yuda yari yavuganye n'abaherezi bakuru hamwe n'abakuru mu barinzi b'urusengero bamvikana ko ahemukira Yesu ku ntete 30 z'ifeza. Yuda abarira ba basirikare. |
| Judas | Umugabo nza gusomesha umunwa aza kuba ari Yesu! |
| Uwuvuga | Yuda asoma Yesu, ubwo nyene abasirikare baca bafata Yesu. |

..........................................................................................

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Yesu abazwa n'umuherezi mukuru. |
| Umuherezi mukuru | Uvuga ko uri umwana w'Imana? |
| Yesu | Ndi umwana w'Imana. Nzopfa hanyuma nzuke, uzombona nicaye i buryo bw'Imana data  kandi nzogaruka ku bicu. |
| Uwuvuga | Uwo muherezi mukuru arakankama n'ishavu. |
| Umuherezi mukuru | Ushobora gute kurogota ku Mana!! Utegerezwa guhanwa!! |
| Uwuvuga | Mu nyuma, abaherezi bakuru n'abakuru b'abisirayeli bafata ingingo yo guhanisha Yesu urupfu. Abantu baramucirako, baramushinyagurira kandi baramukubita. |

..........................................................................................



140Page

**Uwuvuga** Mu gitondo gikurikira, umukuru w'abaherezi ari kumwe n'inararibonye, abigisha b'ivyagezwe hamwe na sentare nkuru y'abayuda baboha Yesu bamushikiriza Pilato. Baradendereza Yesu bariko ntiyakuvuga na kimwe. Ariko Pilato yari azi ko Yesu ataco azira. Muri iyo misi wari umugenzo ko barekura impfungwa ku musi mukuru wa Pasika. Pilato abaza abantu.

**Pilato** Ni nde mushaka ko ndabarekurira? Baraba canke Yesu?


**Ishengero** Baraba! Baraba! Turekurire Baraba!!

**Uwuvuga** Baraba yari yapfunzwe yishe umuntu. Ishengero ryose rikoma akaruru ngo harekurwe Baraba. Pilato agira ubwoba ko hashobora kwaduka imigumuko.

**Pilato** Nk'uko muvyipfuza! Ariko amaraso y'uwu muntu ntakankore. Murayabazwa ubwanyu.

**Uwuvuga** Pilato arahava arekura Baraba hanyuma atanga Yesu ngo akubitwe,abambwe.

---



141Page

**Uwuvuga** Abasirikare bamwambika ikanju iriko uducapu, hanyuma bajisha urugori rw'amahwa barumwambika ku mutwe. Bamushira icumu mu kuboko kw'I buryo , baca barafukama baramushinyagurira.

**Abasirikare** Nahangame umwami w'abayuda!

**Uwuvuga** Ba basirikare bambura Yesu ya kanju bamwambika impuzu ziwe bamujana mu kibanza aza kubambirwamwo. Yesu yikorera umusaraba awujana I Gologota ariko uwo musaraba wari uremeye cane Yesu awikoreye uca umugwako.

**Abasirikare** Haguruka! Ntugeze ngo uhagarare!!

**Uwuvuga** Umugabo umwe ava i Kuleni yitwa Simon yariko ararengana abasoda baca bamutegeka kwikorera umusaraba.


---




142Page

**Uwuvuga** Yesu arahava arashika I Gologota. Ba basirikare baramukoba impuzu ziwe. Baca baramubamba ku musaraba n'imisumari mu biganza no ku birenge. Abasirikare bagabangana impuzu ziwe bazishirako ubufindo ngo barabe uwuzitahukana. Hejuru ku musaraba hari urwandiko rumwagiriza ngo " Umwami w'abayuda". Yesu aravuga n'umubabara.

**Yesu** Data, baharire ntibazi ico bakora.



143Page



144Page

**Uwuvuga** Ubwo nyene haza ubwirakabiri mu gihugu cose. Yesu aravuga n'ijwi riri rirenga.

**Yesu** Mana yanje, Mana yanje, kuki wampevye?

**Uwuvuga** Yesu amenya ko igihe ciwe co kuba kwisi carangiye. Avuga n'ijwi riciye bugufi.

**Yesu** Birarangiye.

**Uwuvuga** Yesu avuze ivyo, yunamika umutwe aracikana, ubwo nyene igihuzu gikingiye ahera mu rusengero gitabukamwo kabiri kuva hejuru gushika hasi. Isi iranyiganyiga, ibitandara biratandukana n'imva ziruguruka. Yesu umwana w'Imana yapfuye kubw'ivyaha vyo mw'isi.